IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

IRIMA RY'UBUSHAZA

TWOFUMBIRA GUTE?		IBINGANA GUTE?	RYARI ?	GUTE ?
Gushiramwo ishwagara mu gihe isi ifise uburakari		Ibiro mirongo itatu vy'ishwagara yoroshe kandi yumutse kuri are imwe uko imyaka ibiri iheze	N'imiburiburi hasigaye indwi zine ngo bateragire (ukwezi)	Kuyisanzaza mu murima bagaca bayizika buno nyene
Gufumbira bakoresheje amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega		Kugumiza ibishazashaza mu murima	Mu gihe co gusarura	Mu kubishira muri nyabarega canke bakabizika mw'irima rikwirikira
		Ibiro 100 vy'umwavu w'ibitungwa canke wo muri nyabarega (ibivumvu 4 vyuzuye)	Bariko bararinganiza ubusize imbere y'itera	Kuyisanzaza mu murima bagaca bayizika mu kuzimu buno nyene
Gufumbira bakoresheje Umwavu w'ikizungu		Ikiro kimwe c'umwavu witwa DAP kuri are imwe	Mu gihe c'itera	Kumija mu murima bagaca bayizika imbere yo guteragira

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST

Tegera neza : Ingero zirashobora guhinduka bivuye : Ingene ishwagara yoroshe, ubusisire burimwo ingene PH y'isi ingana, Ku mase y'ibitungwa no ku bitabizo bihinguye hamwe n'uburyohe isi yarisangwanywe

IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

INDWARA NKURU NKURU N'UBUKOKO

INDWARA CANKE UBUKOKO	IBIMENYETSO VYAZO	UBURYO BWO GUKINGA	IMITI YO KUVURA	URUGERO RW'IMITI
Milidiyu arirwo Urubabu		- Gutera imbuto zirobanuye - Gukurakuranya neza ibiterwa: ubushaza ntibusubirira isoja, ibiharage, inkore, ibiyoba canke ubundi bushaza nyene.	Kuvanga imbuto n'umuti witwa Benelate	Amagarama 20 y'umuti mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe
Urubobi ariyo Antarakinose		- Gutera imbuto zirobanuye - Gukura mu murima ibisigarira vy'ivyimburwa(Ibishazashaza) - Gukurakuranya neza ibiterwa: ubushaza ntibwosubirira isoja, ibiharage, inkore, ibiyoba canke ubundi bushaza.	Kuvanga imbuto n'umuti witwa Benelate	Amagarama 20 y'umuti mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe
Ibinyabwoya bitabagura ubushaza		Guhamba ningoga kandi kure mu kinogo ibisigarira vy'ivyimburwa(Ibishazashaza)	Gupompa umuti witwa Dimetowate	Mililitiro 10. (n'ukuvuga umuti wuzuye uturumyo tubiri twa fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe.

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST